Agahimba kose mu bihimba vy'umubiri w'umuntu, karafise imperezwa kotanga maze umuntu akayihemberwa

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Agahimba kose mu bihimba vy’umubiri w'umuntu, karafise imperezwa kotanga maze umuntu akayihemberwa. Buri musi izuba riserutse rero, maze umuntu agatunganiriza abantu babiri batase, iba ari imperezwa ahemberwa; afashije umuntu mu kumwuriza ku gitwazi ciwe canke mu kumuterurira udukoresho twiwe akadushira kuri nya gitwazi, iba ari imperezwa ahemberwa; eka n'ijambo ryiza rihumuriza umuntu, iba ari imperezwa ahemberwa; n'intambwe umuntu ateye aja gusenga, iba ari imperezwa ahemberwa; n'ugukura mu nzira ikibangamira abarengana, iba ari imperezwa ahemberwa".

[صحيح] [رواه البخاري ومسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratomoye ko umwislamu uwo ari we wese amaze kugera mu bigero, agahimba kamwekamwe mu duhimba tw'umubiri wiwe, buri musi gafise igikorwa kokora ku bw'Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, umuntu agaheza akagihemberwa impembo y'imperezwa, maze akagikora mu ntumbero yo gushimira Imana Allah ku nema y'amagara meza Yamuhaye, no ku nema yuko Yamuremeye amagufa mu duhimba dutuma ashobora kuyapfunya no kuyagorora Yaranatomoye n'uko iyo mperezwa itangwa mu gukora ibikorwa vy'ubugwaneza, n'uko idatangwa gusa mu guhereza amatungo, muri ivyo bikorwa rero, ni uko: Ukudahengama kwawe mu gutunganiriza abatase hamwe no mu kubumvikanisha, ni imperezwa. N’iyo ufashije umuntu mu kumwuriza ku gitwazi ciwe, canke mu kumuterurira kuri nya gitwazi ivyo adashoboye guterura, ni imperezwa; N’ijambo ryiza rigizwe n'ininahaza n'itaziramana, igisabisho, indamutso y'amahoro, n'ayandi majambo meza ahumuriza, ni imperezwa; N’intambwe yose umuntu ateye aja gusenga, ni imperezwa; N’ugukura ibibangamira abarengana mu nzira, ni imperezwa.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/66527